# Ubwislamu, ni uko wemera ku mutima ukatura n'ururimi, wemanga ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, ukemera kandi ku mutima ukatura n'ururimi, wemanga ko Muhamadi ari Intumwa yayo; ugatsimbataza isengesho; ugatanga ishikanwa-bwirizwa; ugapfunga ukwezi kwa Ramadhani; ukanashengerera ingoro ntagatifu iri i Makka mu gihe ushoboye gushikayo

Mu vyakiriwe na Omari mwene Al-Khattwaabi (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Umusi umwe twari ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), maze haseruka umugabo yambaye impuzu zera de, afise umushatsi wirabura tsiritsiri, nta na kimwe cerekana ko avuye ku rugendo, eka nta n'umwe muri twebwe yamumenye, araheza yicara imbere y'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aca akomanya amavi yiwe ku mavi y'Intumwa (yegereza amavi yiwe ku mavi y'Intumwa), maze arambika ibiganza vyiwe ku bibero vyayo, aca avuga ati: "Ewe Muhamadi! Enda nyabuna nyiganira ku vyerekeye ubwislamu ico ari co". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iraheza yishura iti: "Ubwislamu, ni uko wemera ku mutima ukatura n'ururimi, wemanga ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, ukemera kandi ku mutima ukatura n'ururimi, wemanga ko Muhamadi ari Intumwa yayo; ugatsimbataza isengesho; ugatanga ishikanwa-bwirizwa; ugapfunga ukwezi kwa Ramadhani; ukanashengerera ingoro ntagatifu iri i Makka mu gihe ushoboye gushikayo". Wa mugabo aca avuga ashimangira inyishu ati: "Uvuze ukuri nk'ukurima". Omari yavuze ati: "Abari ng'aho, vyaradutangaje kwumva umuntu abaza hanyuma agaca yemera inyishu ahawe ata guhigimanga!". Wa mugabo arongera avuga ati: "Enda nyabuna nyiganira ivyerekeye ukwemera ico ari co". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica irishura iti: "Ni uko wemera Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo, Intumwa zayo, umusi w'iherezo, hamwe rero n'ukwemera ivyagezwe ku biremwa: ivyiza muri vyo n'ibibi". Wa mugabo aca avuga ashimangira inyishu ati: "Uvuze ukuri nk'ukurima". Wa mugabo araheza avuga ati: "Enda nyabuna nyiganira rero no ku vyerekeye ubugwaneza ico ari co". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica irishura iti: "Ni uko wiyegereza Imana Allah mu vyo ukora vyose ukanayisenga nk'aho woba uyibona; mu gihe wokwibwira ko utayibona, ariko ubwirizwa kumenya ko Yoyo Ikubona". Wa mugabo arasubira avuga ati: "Enda nyabuna nyiganira ku vyerekeye umuhero w'isi, umbwire ni

ryari uzoshika?". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica yishura iti: "Burya uwubajijwe ico kibazo, si we azi inyishu yaco gusumba uwakibajije!". Wa mugabo asubizayo ati: "Enda rero nyiganira nyabuna ku vyerekeye ibimenyetso vy'umuhero w'isi". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iraheza yishura iti: "Ni uko uzobona umuguranokazi avyara inabuja, ukabona n'abantu bagenda n'ibirenge bisa ata birato, bambaye ubusa, barangwa n'ubukene ubaravye uko basa, abungere b'intungwa barusharushanwa mu kuduza inyubakwa". Omari yavuze ati: "Hanyuma wa mugabo yaciye agenda, nca mara akanya gato, Intumwa ica imbwira imbaza iti: "Ewe Omari! Woba wamenye uwariko arabaza, uwo ari we!?". Nanje nca ndishura nti: "Ihibambewe! Imana Allah n'Intumwa yayo, ni bo Bazi kurusha". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica imbwira iti: "Urya yari umumalayika Jibrili yaje kugira abigishe idini ryanyu"".

[صحيح] [رواه مسلم]

Omari mwene Al-Khattwaabi (Imana Allah Imwishimire) aratwiganira ko igihe kimwe umumalayika Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yaje ahari hicaye ingendanyi (Imana Allah Izishimire), ari mw'ishusho ry'umugabo atashotse amenyekana, mu vyamuranga ni uko yari yambaye impuzu zera de, afise n'umushatsi wirabura tsiritsiri, eka nta n'icerekana ko yari avuye ku rugendo; nko kuboneka ko arushe, yuzuye intumo, afise umushatsi udasokoje, yambaye impuzu zicafuye, eka mbere nta n'umwe mu bari ng'aho, yashoboye kumumenya, izo ngendanyi zikaba zari zicaye ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), maze wa muntu yicara imbere y'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) nka kurya umwigishwa yicara mu rupfasoni imbere y'umwigisha, aca aramubaza ku bijanye n'ubwislamu, na we aca aramwishura ko ubwislamu bwubakiye kuri izi nkingi: ukwemera wemanga ibintu bibiri (shahaadataani), ugutsimbataza amasengesho atanu, ugutanga ishikanwa-bwirizwa ukarihereza abo ryagenewe, ugupfunga ukwezi kwa Ramadhani, hamwe rero n'ukugira ishengerera ry'ingoro ntagatifu ritegetswe ku wubishoboye. Uwabajijje yaciye avuga ashimangira inyishu yahawe ati: Uvuze ukuri kuzima, maze ingendanyi zica ziratangazwa n'ukuba yabajijje ico atazi uravye ukuntu yabajije, hanyuma agaca ashimangira inyishu nk'uwari ayizi. Mu nyuma, ni ho wa muntu yabaza ku vyerekeye ukwemera, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca aramwishura ko ukwemera kugizwe n'izi nkingi zitandatu: Ukwemera ko hariho Imana Imwe Rudende Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, Ifise amazina n'amatazirano ayiranga, n'ukwemera ko Ifise ibikorwa biyiranga; nko kurema, hamwe n'ukwemera ko Ikwiye gusengwa ari Imwe Rudende; n'uko abamalayika baremwe mu muco, ari abaja bayo batewe iteka, n'uko batagabitanya ku Mana Allah, bashira mu ngiro ivyo Ibategetse; n'ukwemera Ibitabu vyayo Yamanuriye Intumwa; nka Qor'ani, Tawurati n'Injili, n'ibindi; n'ukwemera Intumwa zishikiriza idini zarungikanwe n'Imana Allah, muri zo twovuga Nuhu, Ibrahimu, Musa hamwe na Isa, zasozerewe na Muhamadi (za nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), n'izitari izo mu Bavugishwamana n'Intumwa; n'ukwemera umusi w'iherezo, harimwo n'ukwemera ibishikira umuntu ari mu mva inyuma y'ugupfa, n'uko mu mva hariyo ubuzima bw'imbere y'izuka ry'ibiremwa "hayaatu al-barzakh", n'uko umuntu azozuka mu nyuma yo gupfa agaharurirwa ku vyo yakoze, maze iherezo ryiwe rikaba mu Bwami bw'ijuru canke mu muriro; n'ukwemera ko Imana Allah Yageze ibintu vyose hakurikijwe ubumenyi bwayo Isanganwe imbere y'ukubirema, hisunzwe intumbero nziza ibifiseko, Ikaba Yaranavyanditse mw'ido n'ido ukungene bizogenda birashika, hakurikijwe uko Yonyene Ibishatse, n'ishirwa mu

ngiro ryavyo rikazokwisunga ivyagezwe imbere yuko biremwa. Hanyuma wa muntu yaciye abaza ku bijanye n'ubugwaneza, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca amwishura ko ubugwaneza, ari ukwiyegereza Imana Allah mu vyo umuntu akora vyose nka kurya yoba ayibona imbona nkubone; mu gihe yoba ataragera kuri urwo rwego naho, akiyegereza Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere mu vyo akora vyose azi neza ko Imana Allah Yo Imubona. Uru rwego rwa mbere rero, ni urwego rwo gukora ivyo ukora nka kurya woba ubona Imana Allah imbere yawe "al-mushaahada", rukaba ari na rwo rwego ruhanitse cane; nayo urwego rwa kabiri, rukaba ari urwego rwo gukora ivyo ukora uzi neza ko ushinzwe ijisho n'Imana Allah "al-muraaqaba". Hanyuma wa muntu yarabajije ku vyerekeye umuhero w'isi igihe uzoshikira, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) araheza amwishura ko ubumenyi bw'isango umuhero w'isi uzoshikirako, Imana Allah Yabugize ibanga ryayo, ku buryo ata kiremwa na kimwe kibuzi; yaba uwabajijwe ico kibazo nta nyishu agifitiye, eka n'uwakibajije nyene nta nyishu yaco afise. Mu nyuma rero wa muntu yaciye abaza ku vyerekeye ibimenyetso vyerekana ko umuhero wisi ugiye gushika, maze Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca aratomora ko muri ivyo bimenyetso, ari uko hazogwirirana incoreke hakagwira n'abana babo bavyara, canke ko ukutubaha n'ukutubahiriza kw'abana agateka k'abavyeyi babo, bizokwiganza ku buryo bafata abavyeyi babo nk'abakenyezi b'abagurano; n'uko abungere b'intungwa n'abakene mu bihe vy'iherezo, bazotunga bagatunganirwa mu bihendamaso vy'isi, gushika n'aho bahiganwa mu kwiratira iduzwa ry'amazu no kuyashariza. Mu nyuma, ni ho Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yiganira abari ng'aho ko uwariko arabaza ari umumalayika Jibrili, n'uko yaje kugira yigishe ingendanyi zari ng'aho idini ry'ubwislamu.

https://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/4563